UBURYO BWO KUNAGURA IBITOKE/ Réhabilitation du bananier

I. Intangamarara

Kuberiki bikenewe kunagura ibitoke? Guhera na kera, abarimyi benshi bafata ko igitoke ugiteye usubira kukiraba ugiye guca iceze, nibake bitwararika : (1) gucagura imivyaro n'ugutera neza, (2) kubihonyorera, (3) ku bisasira, (4) kubiha umwavu no (5) kubituturira mugukurako amababi amaze kwuma. Abeshi bafata ko guteza imbere uburimyi bw'igitoke ari ukuzana ubwoko bushasha, **bakibagira ko ubwoko bw'ibitoke kavukire buhoneshwa n'ugufatwa nabi**. Muri make nibake bafata neza umurima w'ibitoke uko vyategerezwa gukorwa.

Ikindi hari indwara z'ibitoke zituruka mu kutabifata neza nko (a) **kudaca imyanana** y'ibitoke bimaze guharura amahando, (b) **kugumiza ibigwaye mundimo** maze indwara zikabandanya zikwiragira mundimo **harimwo n'izababanyi, vyumvikana ko atawokwigira sindabibazwa**. Ni muriyo ntumbero tugomba gufashanya n'abarimyi ngo bahe imirima y'ibitoke **umwanya** n'**uburyo** bikwiye vyo kugikorera gutryo umwimbu wiyongere maze igitoke kibateze imbere.



Isanamu-1 : Amashusho yerekana uko umwimbu wiyongera ugereranije n'ivyimbuka atagikozwe muguhonyorera ibitoke.

Ivyokorwa mu kunagura imirima y'ibitoke

1. Guhonyorera ibitoke :

Ni kuki twogabanya amashashi ku ngundu y'igitoke ?

Abarimyi benshi baja mu mirima bagiye kurarura vyonyene, bagakunda kwimbura **udutoke twinshi ku ngundu** ariko ugasanga ni dutoduto **tutagira agaciro kw'isoko**. Ivyo rero bikava ko bareka ingundu igasigara **imeze nk'igisaka** kubera kurekera amashashi menshi ku ngundu. Ayo mashashi ntagira inguvu, aronze kandi ni maremare kuko **akura y'isunga umuco uba udakwiye**, bigatako akabura ivyunyunyu bikwiye kubera **gusahuranwa akanovera k'isi** « *bigasa nko kugaburira abana benshi ku gasahani gato k'ibifungurwa* ». Ni ngombwa rero kubigabanya gutyo bishobore gukurana inguvu, bitange n'ibitoke binini biteye igomwe bikagira n'agaciro.

Twobigabanya gute ?

(1) Dufatiye ku ngundu : nu kugabanya ibitoke duhereye kumashashi mato, hagasigara ivyamye n'ishashi izokwirikira icamye (ntibirenge 3-4 kungundu) ;




Isanamu-2: Akarorero k'ingundu z'ishamba zitankanije (isanamu ibubanfu) naho bagerageza kuvyankanya (isanama iburyo).

(2) Dufatiye ku ntambwe hagati y'ingundu z'ibitoke : Nugusiga hagati y'ingundu imetero 3m kuwugomba kurima ibitoke vyonyene, mwifuza guteramwo ibindi bitegwa ntizoja munsi ya metero 6m hagati y'ingundu n'iyindi, kandi bikaba ku musitari/umurongo aho bishoboka.

(3) Gucagura imivyaro myiza yo gutereka : Muntumbero yo kwereza rimwe ibitoke, nugucagura kungundu yose amashashi afise inguvu «**amababi mato ashinze bwaducumu**» agomba kungana kugira bizokwerere rimwe «*Bishobora gufasha kuriha ababikorera kuko biba ari vyinshi, ushobora kuzoronka umwimbu ukwiriye*» ;

(4) Gutumbereza ingundu y'igitoke mu murima : Nuko umurimyi acagura agasiga ishashi y'igitoke iburyo canke ibubanfu, muntumbero yo kugumiza ingundu mukibanza cayo, nayo ahandi ho bishobora kuba inkomoko y'imishamirano hagati y'abasangiye akarimbi, nkuko mubibona kurizo sanamu aho **ingundu imwe yajabutse ikarenga akarimbi**.




Isanamu-3 : Ingundu isangiwe n'imiryango ibiri bivuye ku kutavyankanya bigateba bikarenga akarimbi.

Gusasira ibitoke :

Kubera iki bikenewe cane gusasira ibitoke ?

Dusanga kenshi ibisigarira vy'ibitoke arivyo, ibihunda, ibitumbutumbu n'ibishishwa vy'igitoke vyuzuyemwo **ivyunyunyu bitari bike** bijanwa **muyindi mirima «** ibipimo vy'ikawa **»**, ibindi **bakabigaburira** ibitungwa, gutsyo rero akanovera k'ibivi biteweko ibitoke kaguma gatituka ukwo umurimyi akuramwo ibisigarira abitwara ahandi. Ivyo rero bigatuma umwimbu w'ibitoke utera ugabanuka kubera uko gusahura ivyo bivi ukongera ugatuma haba **umwumira**, **inkukura**, n'**ivyatsi vy'urwiri** arivyo bizana kurima mubitoke **bagacagagura imizi** yo kubigaburira.
Gusasira rero ibitoke n'igikorwa gikomeye cane kubijanye n'uburimyi bw'igitoke.

Twosasira gute rero ?

Ubwambere hoho nukwitwararika ko **ibisigarira vy'igitoke atahandi vyojanwa,** tutibagiye ko **ibitumbutumbu, amashashi yagabanijwe eka mbere n'imyanana** atakubisiga intumba ariko ari **ukubitemagura** m'uduhimba dutoduto **ugaheza ukabisanza mu murima**, ukongera ugashiramwo **n'ibindi bisasizo**.
Mugusasira nuguhera kuri cm 30 muvuye ku ngundu y'igitoke kugira **udukoko** turya intembe y'igitoke **ntituronke aho twinyegeza**, kandi n'imizi ntiduge hejuru ikwirikirana intabire n'akabombera biva m'umusezero.





Isanamu-4 : Ukuntu mwosasira ibitoke mutavyegereza ibisasizo (isanama itangura uhera ibubanfu) kugira imizi ntiduge (isanamu ihereza iburyo) n'udukoko turonke aho twinyegeza.

Gusasira rero ni nkenerwa cane **kumvo nyamukuru** zikurikira:
(1) bituma isi igumana **akabombera** narirya igitoke gikenera amazi cane ;
(2) ivyatsi ntibimera ngo bisahure uburyohe n'amazi y'isi irimwo ibitoke ; kandi (3) ivyo bisasizo uko bibora niko biba navyo intabire.

3. Gutabira ibitoke:

Abarimyi benshi bibaza ko ibitoke bidakenera intabire nk'ibindi bitegwa. Ni naco gituma ari bake bashira intabire mu bitoke. Twomenya ko ibitoke nk'ibindi bitegwa bikenera umwavu w'ikirundi ndetse n'uwikizungu (angeri) kubabishoboye.
Yaba umwavu w'ikirundi canke w'ikizungu, n'ukwitwararika kuwushira kuri nka cm 50 uhereye ku ntembe y'igitoke. Muraheza rero mugafurura muzinguriza ingundu aho muyashira,

hanyuma muhejeje kuyashiramwo mugafuka n'ivu mwari mwafuruye kugira uburyohe ntibutwarwe n'izuba.

Urugero twokoresha :

1. K'umwavu w'ikirundi, ku ngundu imwe iriko amashashi 3 hakenewe nk'ibiro 20 (kg 20) ni hafi y'ikivumvu kimwe. Ivyo ukabikora 2 kumwaka (mu ntango za Gitugutu-10- no mu ntango za Ruhuhuma-2-) igihe cose ushirako izo kg 20.
2. K'umwavu w'ikizungu, shiramwo **g 50 z'icunyunyu potasiyumu-K- (***agakopo 1 ka sosi tomati ka KCl***)**, **g 30 z'icunyunyu azoti-N- (***agakopo 1 ka sosi tomati ka Urée)***, g 5 z'icunyunyu fosoforo-P-** *(akarumyo 1 k'icupa ry'ikiyeri ka DAP)* ku ngundu iriko imivyaro itatu. Izo ntabire z'ikizungu nazo nyene zishirwako 2 mu mwaka kandi zijana n'umwavu w'ikirundi.



Isanamu-5 : Kwerekana aho mugutabira mwoshira intabire, mutegereje igitoke kuko niho imizi ifungurira igitoke iba itumbereye.

Birakenewe gushirako izo ntabire kuko: (1) igitoke mwamura kiba catwaye ivyunyunyu vyinshi navyo bikaba bikenewe gusubirizwa. Kubabishoboye bokoresha ubwo bwoko bwose bw'umwavu ariko uw'ikirundi niwo woshirwa imbere (b) bituma ibitoke bitanga umwimbu mwinshi kandi bikaramba mu murima.

4. Ibindi bikorerwa ibitoke mukubifata neza :

-**Kubituturira** : Gukurako amababi amaze kwuma atamazi akirimwo, nayo ahandi ho bishobora kuba inkomoko yo gukwiragiza indwara nka Ruhonyabitoke « BXW »

- **Gukurako umwanana ukoresheje igiti c'amashami**: ukugwako igitoke gihejeje guharura amahando, ubimenyeshwa nuko imihanyu yose itakiraba hasi, uraheza ukawutemagura ukaba intabire, kandi ugakinga aho indwara zoca uramutse uwugumijeko.

5. Ugusozera

Ivyo bikorwa vyose vyo kunagura imirima y'ibitoke ni magiriranire kandi ni nkenerwa, ntanakiwe co kwirengagiza rero. Bidakozwe uko utwigoro twose twoba tubaye impfagusa.

Auteurs-ISABU : *NIYONGERE Célestin, BIZIMANA Syldie et NDAYIZIGA Donatien*